IZINA RY' UMUFASHWA	INUMERO NDANGA YA ACES

Uburenganzira bwawe n' Imyitwarariko yawe Mugihe Uronse Imfashanyo Zitanzwe n' Ubuyobozi bwo Mungo no Mumibano hamwe n' Ubuyobozi bw' Indwara z' Ubumuga bw' Igikuriro

Your Rights and Responsibilities When You Receive Services Offered by Home and Community Living Administration and Developmental Disabilities Administration

Imfashanyo Zitangwa

Ufise uburenganzira bwo kwicagurira imfashanyo muzo wemerewe kuronswa. Imfashanyo ni kubushake bw' umuntu. Imfashanyo Ubuyobozi bwo Mungo no Mumibano hamwe n' Ubuyobozi bw' Indwara z' Ubumuga bw' Igikuriro bushobora kuriha birashoboka ko bitogufashaka kubikenewe vyawe vyose.

Ubuyobozi bwo Mungo no Mumibano HCLA hamwe n' Ubuyobozi bw' Indwara z' Ubumuga bw' Igikuriro DDA butanga imfashanyo mubikurikira:

- Inzu y' Umuryango w' Abantu Bageze Muzabukuru, Inyubakwa y' Ubuzima bwo Gufashwa, Inyubakwa y' Ibikorwa Vyiza, Inyubakwa y' Ibungabungwa ry' Amagara, ICF/IDs, Inzu y' Iwukwitaho, Inzu y' Ibungabungwa ry' Abana Batabana n' Abavyeyi Babo, Inzu y' Ababifitiye Amategeko yo Kubungabunga Abana; Umurwi w' Amazu ya DDA, Umurwi w' Amazu y' Imyimenyerezo; CANKE
- Inzu y' Umuntu Bwite. **Icitonderwa:** Ubuyobozi bwa HCLA hamwe na DDA ntiburihira amasaha 24/kumusi y' imfashanyo zo kubungabunga umuntu munzu y' umuntu bwite. Niyaba ibungabungwa ry' amasaha 24 vyipfuzwa, aho hashobora kuzirikanywa ubundi buryo bw' izindi mfashanyo.

Umuyobozi w' Igikorwa Mugice Cawe c' Ishirahamwe Muvyerekeye Ugukura, Umuyobozi w' Igikorwa Mubikenewe vy' Akazi, Umuforoma Mujanama mw' Ibungabungwa, Umujanama w' Ibungabungwa, Umuhinga Muvyerekeye Imfashanyo zo Mungo hamwe n' Imfashanyo zo Mumibano, canke Umuyobozi w' Igikorwa Munyubakwa y' Ibungabungwa rya HCS babita **umukozi w' igikorwa** muriyi nyandiko.

Uburenganzira Bwawe

Urafise uburenganzira bwo:

- Gufatwa neza mwiteka, mucubahiro hamwe no kutavangurwa;
- Gufata inyubakwa yawe munzira y' icubahiro;
- Gukorera hamwe n' umukozi ajejwe kesi y' igikorwa cawe mugutegura ibungabungwa ryawe;
- Guhabga imfashanyo z' umusiguzi utarishe amafaranga mugihe atabushobozi ufise bwo kuganira no gutahura ururimi rw' Icongereza neza;
- Guhabga amakuru yerekeye uko ufatwa mw' ibanga bifatiye k' umategeko hamwe n' amabwirizwa ya DSHS;
- Kutagobererwa canke gukoreshwa kunguvu mukwishura ibibazo canke ikintu udashaka;
- Urabwirwa ivyerekeye imfashanyo zose ushobora guhabwa hama ufate ingingo yerekeye imfashanyo ushaka nizo udashaka;
- Urabwirwa munyandiko ingingo zifatwa nishirahamwe kandi uhabwa ikopi y' umugambi w' ibungabungwa ryawe canke incamake y' umugambi w' imfashanyo;
- Hakana imfashanyo zose;
- Tora, kura mukazi, canke hindura umufasha abikwiriye;
- Ronka inyishu y' isuzumwa ry' akahisi kumuntu kumufasha uwariwe wese witorera;
- Ganira n' umucungerezi wawe mugihe wewe n' umukozi akurikirana imfashanyo zawe mutumvikana;
- Kumenyesha ikirego c' ingorane canke ibirajishinga umwanya uwariwo wose kubijanye n' igihagararo c' ibikorwa canke ibikorwa vy' umufasha kubirangurwa mw' itegurwa ryawe ry' ibungabungwa, umugambi w' ibungabunga, canke ikintu icarico cose udashimishijwe naco munzu yawe hamwe n' inyubakwa ishingiye mumibano. Ufise uburenganzira bwo gutanga ikirego c' ingorane ata guhohoterwa ukorewe. Urashobora gushikiriza ikirego c' ingorane canke ikirajishinga muguhamagara 1-800-737-0617, gutuma email kuri grievances@dshs.wa.gov, canke mukubaza umukozi uwariwe wese wa DDA canke HCLA kuguha amakuru y' ukuntu ushobora gutanga ikirego c' ingorane;
- Saba urubanza rwo kw' umvirizwa naho woba utaratanga ikirego;
- Tanga ikirengo atakugira ubwoba ko ushobora gukorerwa inabi naho woba wamaze gusaba urubanza rwo kw' umvirizwa;
- Ganira n' umuvugizi mfasha muguhamagara 1-888-201-1014; kandi
- Mudakorewe inabi, mutirengangijwe, mukorewe ubujanja muvyerekeye amafaranga, canke mudakumiriwe. Kunsiguro zaya majambo, temberera: https://www.dshs.wa.gov/altsa/home-and-community-services/types-and-signs-abuse. Mugihe wewe canke umuntu muzi ariko arakorerwa inabi, ararengagizwa, canke arakorerwa ubujanja, urasabga guhamagara igisata ca DSHS ukoresheje umurongo utarihishwa kuri 1-866 (End Harm) /1-866-363-4276 kugira uganire n' umukozi ashobora kugufasha.

Barcode label

16172

IZINA RY' UMUFASHWA	INUMERO NDANGA YA ACES

Imyitwarariko Yawe

Ufise imyitwarariko yo:

- Kumenyesha umukozi w' igikorwa kw' uzuza isuzumwa nibura buri mwaka mu kibanza kikubereye;
- Kumenyesha umukozi w' igikorwa kuraba aho ubu n' ubuzima ubayemwo ni bura buri mwaka;
- Uduhe amakuru ahagije kugira twuzuze isuzumwa ryawe kandi wifadikanye mugufasha k' umugambi w' ibungabungwa ryawe;
- Bwira umukozi w' igikorwa cawe mugihe hari uwundi muntu agufatira ingingo muvyerekeye imiti canke ubutunzi;
- Kwifadikanya mugushira mungiro no gutezimbere umugambi w' ibungabungwa ryawe canke imfashanyo z' ibungabungwa, kandi ushireko n' umukono;
- Ishura kandi uganire n' umukozi w' igikorwa cawe kugihe kibereye;
- Itorere kubwawe umugambi w' ibungabunga;
- Itorere uwutanga ubufasha;
- Gumana mwibanga amakuru y' akahise k' uwutanga ubufasha;
- Tahura ko umufasha wawe adashobora guhemberwa imfashanyo canke amasaha y' akazi atemerewe mumasezerano;
- Menyesha umukozi wawe w' igikorwa mugihe ufise ingorane n' umufasha wawe canke mugihe utariko uraronswa amasaha asabwa n' uwugufasha;
- Kuriha umufasha wawe buri kwezi mugihe nawe ufasha mukuriha ibungabungwa ryawe;
- Gutanga ahantu hakazi hafi umutekano;
- Ntukore muburyo ubwaribwo bwose ibintu bishobora guta mu kaga umuntu uwariwe wese;
- Kubwira umukozi wawe w' igikorwa imbere yuko usohoka, mugihe ufashe urugendo hanze y' intara ya Washington n' umufasha wawe bwite w' ibungabungwa; kandi
- Kumenyesha umukozi wawe w' igikorwa mugihe hari ikintu gihingutse muri:
  - ✓ Ubuzima bw' amagara yawe;
  - ✓ Imfashanyo uronka m' umuryango, mubagenzi, canke muyandi mashirahamwe;
  - ✓ Uko umutungo w' amafaranga yawe ameze;
  - ✓ Aho uronswa ibungabungwa ryawe;
  - ✓ Aho uba mu ntara ya Washington; canke
  - ✓ Ikibanza ubamwo – ufise umugambi wo kwimuka, canke ubu uba hanze y' intara ya Washington.

Imyitwarariko y' Umukozi w' Igikorwa

Umukozi wawe w' igikorwa afise imyitwarariko yo:

- Kugufata mwiteka n' icubahiro;
- Kugumiza ibanga amakuru akwerekeye;
- Kukumenyesha ico amashirahamwe HCLA hamwe na DDA bashobo, canke badashobora, kugukorera;
- Kuronka amakuru avuye kuri wewe hamwe n' abanda kugira akore isuzumwa m' ukugena urugero rwawe rw' infashanyo hamwe no gufata ingingo y' imfashanyo ushobora guhitamwo;
  - ✓ Iryo suzumwa rizoba ririmwo inkomezi zawe, imbibe, intumbero, hamwe n' amahitamwo ukunze;
  - ✓ Iryo suzumwa rizoba ririmwo imfashanyo uriko urahabga canke ushobora kuronka zivuye m' umuryango canke muyandi mashirahamwe hamwe n' ukuntu ushaka izo mfashanyo uko zikorwa;
- Kugufasha gutegura umugambi wawe w' ibungabungwa canke gushigikira umugambi usigura imfashanyo z' ibungabungwa ry' umuntu kandi harimwo intumbero zawe, ivyo w' ikundira, hamwe n' amahitamwo;
- Kuronka amakuru avuye kuri wewe canke abandi mukuvugurura umugambi wawe w' ibungabungwa canke gushigikira umugambi wawe buri mwaka canke mugihe hari igihindutse mubuzima bwawe;
- Kuguha igihe gikwiriye kugira utange amakuru akenewe;
- Gusigura ingorane zihari k' umugambi w' ibungabungwa ryawe canke gushigikira umugambi wawe mugihe bibaye;
- Kwubaha uburenganzira bwawe hamwe kugufasha vyiyongera mukuronswa imfashanyo mugihe ufise ingorane z' indwara zo mumutwe, ubumuga bwo m' ubwonko, kwumva, canke ubumuga bwo mumubiri; kandi
- Kugufasha uronke umufasha abikwiriye mugihe atabushobozi ufise bwo kumwironderera.

Barcode label

16172

IZINA RY' UMUFASHWA	INUMERO NDANGA YA ACES

Amabwirizwa y' Imbere y' Igihe

Ufise uburenganzira bwo gukora amabwirizwa y' imbere y' igihe. Amabwirizwa y' imbere y' igihe ashobora kuba arimwo ihitamwo ry' ivyipfuzo vy' ubuzima canke ububasha buramba y' umuvugizi w' ibungabungwa ry' amagara yawe. Amabwirizwa y' imbere y' igihe atanga incamake ivyipfuzo vyawe kuvyerekeye amagara kandi/canke ibungabungwa ry' amagara y' indwara zo mumutwe, canke ivugwa ryo kubarwa, mugihe udafise ububasha bw' ubwenge mukwifatira izo ngingo. Uroshobora guhagarika amabwirizwa yawe y' imbere y' igihe umwanya uwariwo wose ushakiye.

Imfashanyo z' Ibikorwa vyo Kwandika Abatora

Ingingo y' Itegeko y' Igihugu yo Kwandika Abatora yo muri 1993 isaba intara zose gutanga imfashanyo zo kw' iyandikisha kw' abatora biciye mu biro vyabo vya leta y' imfashanyo yabo. Gusaba kwiyandikisha canke kwanka kwiyandikisha gutora ntibizozanira ingaruka imfashanyo canke igitigiri c' inyungu uzohabwa n' iri shirahamwe. Niyaba woba ukeneye infashanyo mu kwuzuza ishusho yo kw' iyandikisha mu vyerekeye gutora, tuzobigufashamwo. Ingingo yawe yo kwiyandikisha canke kutiyandikisha bizogumizwa mw' ibanga kandi bizokoreshwa mu ntumbero zo kwiyandikisha gutora gusa. Mugihe wemera ko hari umuntu yinjiriye ibitamuranga muburenganzira bwawe bwo kwiyandikisha canke kutiyandikisha gutora, uburenganzira bwawe kumutekano mugufata ingingo yo kwiyandikisha canke gusaba kwiyandikisha gutora, canke uburenganzira bwawe bwo kwitorera umugambwe wa politike canke ayandi mahitamwo ya politike, urashobora gusohora ikirego harimwo:

Washington State Elections Office
PO Box 40229
Olympia WA 98504-0229
1-800-448-4881

Umukono Wawe

Shirako umukono mugihe utahura ko uburenganzira bwawe hamwe n' imyitwarariko yawe kandi ko utahura imyitwarariko y' umukozi wawe w' igikorwa.

Umukono w' Umukiriya	Igenekerezo
Umukono w' Umuserukizi w' Amategeko	Igenekerezo

Itangazo ku bakiriya n' abakozi (Umutwe wa VI na VII), Igisata ca Leta c' Imfashanyo z' Imibano n' Amagara mu Ntara ya Washington ni umukoresha gitanga amahirwe angana kandi ntikivangura mugice icarico cose co gutanga akazi, imigambi yaco canke imfashanyo bishingiye ku myaka, igitsina, ivyiyumviro kuvyerekeye igitsina, ubwoko bw' igitsina, akaranga k' igitsina/imvugo, ugihagararo c' ubwubatsi, ubwoko, ukwemera, ibara ry' urukoba, inkomoko, idini canke kwemera amadini, umugwi wa politike, ikibanza c' igisirikare, umusirikare yasohotse muburyo bw' icubahiro, Mukiringo ca Vietnam, baherutse gutandukana canke ikibanza c' umusirikare wa kera mumutekano, kubaho kw' ubumuga ubwaribwo bwose bwo kwiyumva, bwo mumutwe n' ubwonko, bwo kumubiri canke gukuresha imbwa yigishijwe kuyobora canke imfashanyo y' igikoko k' umuntu afise ubumuga, amakuru y' umushahara ungana canke kavukire kuruvyaro.

Barcode label

16172

Uburenganzira bwawe n’ Imyitwarariko yawe Mugihe Uronse Imfashanyo Zitanzwe n’ Ubuyobozi bwo Mungo no Mumibano hamwe n’ Ubuyobozi bw’ Indwara z’ Ubumuga bw’ Igikuriro

Amabwirizwa y’ Umukozi w’ Akazi

1. Subiramwo gusoma ishusho hamwe n’ umukiriya mukwishura ibibazo ivyarivyo vyose vyerekeye uburenganzira bw’ umukiriya hamwe n’ imyitwarariko yiwe. Subiramwo gusoma hamwe n’ umukiriya ku ntango y’ isuzumwa ry’ IBUNGABUNGWA (canke mugihe c’ Ihinduka Ngirakamaro/Kumwaka mugihe iyo shusho itarashirwako umukono). Niyaba hariho urupapuro rw’ ishusho ya vuba, muhe umukiriya ashireko umukono kuriyo shusho y’ urupapuro rwa vuba. Ishusho iheruka vuba y’ uburenganzira n’ imyitwarariko y’ umukiriya ishikirijwe n’ umukozi w’ igikorwa kandi ishizweko umuko n’ umukiriya isubirira amashusho ya mbere yashizweko umukono.
2. Ha umukiriya canke uwuserukira umukiriya ikopi zibiri ziyo shusho kugira ashireko umukono mukwerekana ko batahura uburenganzira n’ imyitwarariko y’ umukiriya mugihe baronswa imfashanyo zitangwa n’ Ubuyobozi bwo Mungo no Mumibano hamwe n’ Ubuyobozi bw’ Indwara z’ Ubumuga bw’ Igikuriro.
3. Shira ikopi imwe mu gitabu c’ amakuru abikwa y’ igikorwa c’ umukiriya k’ ubuhinga bwa none hama uce uha umukiriya iyindi kopi isigaye.